## Icemezo n'igisabisho vyo gusaba kuvavanura n'ukwishira hejuru

Ndagukengurukiye Data, ko naremwe mu buryo bw'agatangaza, kuko ari Wewe wandemye. Ndakengurutse urukundo umfitiye, n'iteka untera ryo kunyita uwawe bwite. Ndagukengurukiye kw'iteka untera ryo kuba umugendanyi wa Yesu Kristo.

Ndasavye imbabazi ku kubona naremeye ukwifuza kwumva ndi hejuru y'abandi. Ndahakanye nivuye inyuma ivyo vyifuzo, kandi ndavavanuye na vyo. Ndanse ukunezererwa ukwumva ndengeye abandi. Ndemeje yuko ndi umunyavyaha, nk'abandi bantu bose, kandi ntakintu na kimwe nshobora gushikako tutari kumwe nawe.

Ndigaye kandi ku caha co kwumva ko ndi uwo mu murwi uri hejuru y'iyindi, canke mw'ihanga riri hejuru y'ayandi mahanga. Ndemeje icese yuko abantu bose bangana mu maso yawe,.

Ndigaye kandi kuba naravuze amajambo arimwo agasuzuguro ku bandi no kuba narakumiriye abandi, nkaba nituye ku mbabazi zawe kuri ayo majambo.

Ndahakanye ukwiyumvira ko abantu agaciro kabo kari hasi kubera ubwoko bwabo, igitsina cabo, amatungo yabo, canke amashule bize.

Ndemejeko kubona nshobora guhagarara imbere yawe ndabikesha ubwiza bw'Imana. Ndavavanuye n'ugucirwa urubanza n'abantu, nkaba mpanze amaso urukiza rwawe rwo rusa.

Kumwihariko, ndahakanye inyigisho y'idini rya isilamu ivuga ko abayoboke baryo bari hejuru y'abandi bantu, ko isilamu ishikana abantu ku migisha no ku ntsinzi, nuko aba isilamu bari hejuru y'abatari abayisilmau.

Ndahakanye ivyemezwa ko abagabo bari hejuru y'abagore, kandi ndavavanuye navyo.

Data wo mw'ijuru, ndakwituye nsaba imbabazi kuri aho hose niyumvisemwo ukuba hejuru y'abandi, kandi ahubwo mpisemwo kugukorera.

Mwami, mpisemwo kandi kunezererwa imigisha n'intsinzi vy'abandi. Ndahakanye ukwipfuza ivy'abandi no kubagirira ishari, kandi ndavavanuye navyo.

Mwami, ndagutakambiye umpezagize ukwimenya no kwiyumva ukwo ndi mu buryo bubereye muri Wewe, buzira indenzarugero. Nyiza ukuri ku buryo Wewe nyene ubwawe umbona. Mfasha kunezererwa kubona ndi uko washatse ko mba mu kundema.

Amina.